KIDS GOD WORSHIP

www.kidworship.kr

# Ana na Samweli

- Old Testament Ⅱ / 5th story -



38Page

**Uwuvuga** Umugabo yitwa Elukana yaba muri Isirayeli. Yarafise abagore babiri; umwe yitwa Ana uwundi Penina. Penina yarafise abana ariko Ana ntiyari bwabone ikibondo. Nuko Penina akibaza ko aruta Ana. Penina akamutwenga gushika arize.

**Penina** Wa kigugu! Wewe uri ingumba!

**Uwuvuga** Ana yari yaragowe kuko atashobora kuvyara. Yararira urutavanako no kurya bikamunanira. Umugabo wiwe Elukana akagerageza kumuhoza ariko Ana yaza yararwaye umutima.

---



39Page

**Uwuvuga** Ana aratakamba agenda ku ngoro y'Uhoraho. Mu gahinda kenshi yarafise yaguma asenga Uhoraho, amuririra.

**Ana** Mukiza, niwampa umwana w'umuhungu, nzomuguha agukorere imisi yose yo kubaho kwiwe.

**Uwuvuga** Ana asenga Uhoraho ikiringo kirekire. Eli umuherezi ariko yinjira mu ngoro ariko arasenga. Kuko Ana yasenze umwanya muremure atetemesha iminwa adasohora ijwi, Eli yibaza ko yaborewe aramukankamira.

**Eli** Uzohagarika kuborerwa ryari? Igizayo izo nzoga!

**Ana** Sinigeze nywa inzoga namba muhanyi. Ndi umugore yagowe cane nariko ndahereza umutima wanje wose Uhoraho.

**Uwuvuga** Amaze kumva inkuru ya Ana, Eli aramuhezagira.

**Eli** Ndabona. Genda amahoro, Imana ya Isirayeli iraguhaye ivyo wayisavye.

**Uwuvuga** Ana aragenda, ajana umutima ushima. Atangura gufungura ntiyasubira guhagarika umutima.

---



40Page

**Uwuvuga** Uhoraho yibuka Ana. Haheze igihe gito Ana agarutse muhira, arasama inda, hanyuma igihe gishitse avyara umwana w'umuhungu amwita Samweli. Ana yarakunda acane Samweli aramwonsa neza n'umutima wiwe wose gushitsa aho acuka. Ana amaze gucutsa Samweli aca amujana mu ngoro y'Uhoraho nk'uko yari yarabisezeraniye Uhoraho.

**Ana** Muhanyi, ndi wa mugore yahagarara iruhande rwawe asenga umukiza. Nasengeye umwana w'umuhungu none Uhoraho yaranyishuye ico nayisavye. None rero ndamuhaye Uhoraho -ubuzima bwiwe bwose azoba uwukorera Uhoraho.

**Uwuvuga** Ana atazira Uhoraho n'ivyishimo vyinshi n'amashimwe.



41Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Samweli akurira imbere y'Uhoraho akorana na Eli mu ngoro y'Uhoraho bahereza Uhoraho. Uhoraho yongera guhezagiza Ana abandi bana batatu b'abahungu n'abakobwa babiri. |



42Page



43Page



44Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Samweli akurira imbere y'Uhoraho . Hanyuma umusi umwe mw'ijoro, Samweli yu;va ijwi ritangaje. Muri iryo joro nk'uko vyari bisanzwe, Samweli yari aryamye mu kibanza co mw'isengero c'i ruhande y'ahabikwa isandugu y'isezerano y'Uhoraho. |
| Imana | Samweli! Samweli! |
| Uwuvuga | Samweli ararikanga iyo Eli umuherezi ari. |
| Samweli | Muhanyi, naje, wari umpamagaye? |
| Eli | Oya mwananje! Sinaguhamagaye, subirayo uryame! |
| Uwuvuga | Samweli asubira mu ngoro kwiryamira. |
| Imana | Samweli! Samweli! |
| Uwuvuga | Samweli yongere kumva izina ryiwe rihamagawe. Hanyuma aca asubira kwiruka iyo umuherezi Eli ari. |
| Samuel | Muhanyi, narengutse, wampamagaye? |
| Eli | Oya mwananje! Sinigeze ndaguhamagara; subira kuryama! |
| Uwuvuga | Samweli asubira mu ngoro hanyuma araryama... |
| Imana | Samweli! Samweli! |
| Uwuvuga | Samweli yongera kumva izina ryiwe rihamagawe. |
| Samweli | Muherezi Eli, nda.... |
| Elí | Rukundo we! Ndiko ndagerageza gusinzira!!! |
| Uwuvuga | N'uko Eli amenya ko ari Uhoraho ariko arahamagara uwo muhungu. |
| Eli | (Arikoroza)eh-hem...Samweli genda niyo yasubira kuguhamagara kandi umubwire, " Vuga mukiza, umusavyi wawe ndaguteze yompi. |



45Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Samweli asubiye mu ngoro kuryama asubira kumva rya jwi rimuhamagara . |
| Imana | Samweli! Samweli! |
| Samweli | Sabwe mukiza, ndaguteze yompi. |
| Uwuvuga | Kuva Uhoraho avuganye na Samweli yabanye nawe uko yakura. N'uko bose batahura ko samweli yagenywe nk'intumwa y'Uhoraho. |



46Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Samweli yarigishije abisirayeli ivyo Uhoraho yamubwiye vyose. Hanyuma akorera Uhoraho igihe kinini. Samweli yabayeho kugira agabe kandi arongore abisirayeli mu nzira z'Uhoraho kandi Uhoraho yasize amavuta abami benshi b'isirayeli abicishije kuri Samweli. Samweli yabaye umuhizi-yabaye umuntu yigishije kandi asangiza amajambo y'Imana abisirayeli. |